REPUBLIKA Y'UBURUNDI



ITANGAZO RY'INAMA NKURU Y'IGIHUGU Y'UMUTEKANO

Bujumbura, kw'igenekerezo rya 21 Kigarama 2015

ITANGAZO RY'INAMANA NKURU IJEJWE UMUTEKANO

Ku munsi wa mbere igenekerezo rya 21 Kigarama 2015, Inama Nkuru ijejwe Umutekano yarakoranye mu nama yayo isanzwe irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu akongera akaba Umukuru w'urwo Rwego kugira hihwezwe ingene umutekano wifashe mu gihugu muri iki gihe c'inyuma y'amatora.

Inama Nkuru ijejwe Umutekano imaze guca hirya no hino ingene umutekano wifashe, ishikirije ibi bikurikira :

1. Inama Nkuru ijejwe Umutekano yasanze ko kuva inzego zitorewe n'abenegihugu zimaze gushirwaho umutekano wagiye wiyongere mu gihugu cose naho hagiye haribonekeza ubwicanyi bufatiye ku mvo zitandukanye hamwe n'ubundi bukozi bw'ikibi bukorwa na bamwe bashatse gutembagaza intwaro yitorewe n'abanyagihugu mu gutera ibirindiro vy'abapolisi, gutera amagrenade mu bunywero, kwica abantu babaziza gukorana na Reta canke ko bari mumigambwe itavuga rumwe nabo, karundura kukaba kwabaye gutera amakambi ya gisirikare ya Ngagara, Iscam, Base hamwe n'ikambi y'i Mujejuru.

2. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irakengurukiye inzego z'umutekano, zifatanije n'abajejwe intwaro, ubutungane, abenegihugu hamwe n'amashirahamwe amwamwe adaharanira ivyicaro vya politike bo batigeze bahengeshanya muguhagararira amahoro n'umutekano mu gihugu. Iboneyeho akaryo ko gushimira cane Inzego z'umutekano ukuntu zagumye zifatanye mu nda naho hari imburakimazi zaguma zikokeza ngo bacanemwo. Urwo runani rw'intamenwa bakaba baragwerekanye igihe bamwe bama barota gutembagaza ubutegetsi batera amakambi kw'igenekerezo rya 11 kigarama 2015.
   Inama Nkuru ijejwe Umutekano iboneyeho akaryo ko guhoza imiryango yabuze abayo muri ivyo bitero hamwe n'abandi bahasize ubuzima kuva imigumuko yagana kwitembagazwa ry'ubutegetsi itanguye. Iyo nama isavyeko umurwi washinzwe kugira amatohoza wonyarutsa ico gikorwa kugira abagira icaha muri ivyo bitero bashirwe imbere y'ubutungane.

3. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irashimiye kandi ishirahamwe mpuzamakungu ONU ku nyifato yerekanye mugufata ingingo zidahengamye ku kibazo c'ibiriko biraba mu Burundi. Iboneyeho akaryo ko gusaba Ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika ko naryo ryofatira kuri ako karorero keza ka ONU kugira bahe agaciro utwigoro twa Reta y'u Burundi mu gutsimbataza umutekano na Demokrasi mu gihugu.

4. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irateye ivyatsi abantu canke amashirahamwe baguma bakokeza ngo buca haba ihonyabwoko mu Burundi. Abo bantu akaba atayindi ntumbero bafise atari iyo gucanishamwo abarundi n'inzego z'umutekano hamwe nuguteza uruhagara mu gihugu kugira barukamishe. Inama isavye rero abarundi n'amakungu kwima amatwi ivyo binyoma bagenda barakwiragiza. Inama Nkuru ijejwe Umutekano irasubiye kwemerera abarundi n'amakungu ko atahonyabwoko rizoba mu Burundi kanatsinda ishirwa mu ngiro ry'Amasezerano yi Arusha y'Amahoro no gusubiza hamwe abarundi rirakinga ubwo bwicanyi bw'agahomerabunwa.

5. Inama Nkuru ijejwe Umutekano iriyamirije inyifato itabereye y'igihugu kibanyi c'Urwanda cafashe umugambi wo gufasha no gushigikira abashaka gutembagaza inzego zitorewe n'abanegihugu mu Burundi. Ivyo bikabonekera mu bikorwa bikorerwa mumakambi y'impunzi vyo kwinjiza no kwigisha imisore ivya gisirikare bagamije gutera Uburundi. Ivyo bikaba biheruka kwemezwa kandi n'Ishirahamwe ryo muri amerika ryitaho ivyimpunzi « Refugees International ».

6. Inama Nkuru ijejwe Umutekano iriyamirije ingingo y'Ubumwe bw'Afrika yo kurungika inteko mu Burundi ngo zugukingira abanyagihugu. Inama Nkuru ijejwe Umutekano imenyesheje Abarundi n'amakungu ko izo nteko zidakenewe kuko inzego zijejwe umutekano zishoboye guhagararira amahoro n'umutekano w'abenegihugu kanatsinda izo nzego ni babitumwako mu kuja

CABINET DU MINISTRE

kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu ; mbere nubu Ubumwe bw'Afrika bukaba buriko burasaba Reta y'Uburundi ko yorungika inteko mu gihugu ca Sudani Yepfo. Bikaba bitangaje rero ukuntu iryo shirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika risaba inteko Uburundi zo kubungabunga amahoro rikongera rigafata ingingo yokurungika izindi nteko mu Burundi.

7. Inama Nkuru ijejwe Umutekano iranebaguye kandi ifatwa ryibihano rigirirwa Uburundi canke bamwe mubajejwe umutekano kandi bakora ijoro n'umutaga kugira barwanye umwansi atakindi arondera atari ugusubiza mw'ihumbi abarundi.

8. Inama Nkuru ijejwe Umutekano yasanzeko hariho impunzi z'abarundi nyinshi zifuza gutaha mugabo ntizoroherezwe n'abajejwe amakambi y'impunzi. Inama isavye Reta y'Uburundi gukorana na HCR hamwe n'ibihugu vyakiriye izo mpunzi mu nzira yo kworohereza abarundi bashaka gutahuka mu gihugu cabo c'amavukiro.

Kubera ivyo vyose tuvuze hejuru Inama Nkuru ijejwe Umutekano isavye ibi bikurikira :

a) **Kuri Reta**, kubandanya ibiganiro bihuza abarundi bose baba abari mu gihugu hagati canke hanze yaco kugira bashike vuba kwihangiro bihaye igihe hashirwaho umurwi ujejwe ibiganiro bihuza abarundi.

b) **Ku nzego zijejwe umutekano :**
   - Kubandanya bongereza inguvu mugukura ibirwanisho mu banyagihugu babitunze batabifitiye uruhusha ;
   - Kuguma barikanuye mugucungera umutekano w'igihugu n'imbibe zaco na canecane muri ibi bihe vy'iminsi mikuru irangiza umwaka kugira bashobore guhasha umwansi aho yoturuka hose.

c) **Kubajejwe intwaro :**
   - Gukomeza amakomite y'umutekano ahuriyemwo bose kugira babungabunge bongere batsimbataze umutekano w'abanyagihugu ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU MINISTRE
MINISTERE DE LA SECURITE PUBLIQUE

- Gukurikirana neza vyabitabo vyandikwamwo ingenzi kugira hamenyekane uruja n'uruza rw'abanyagihugu no gushobora kumenya ningoga na ningoga inkozi z'ikibi.

d) Kubanyagihugu

- basabwe kuguma bakorana neza n'inzego zijejwe umutekano no kuvavanura n'inkozi z'ikibi zibonekeza canecane mumakaritye amwamwe y'igisagara ca Bujumbura ;

e) Kubavyeyi :

- Kubuza abana babo baja mumirwi y'inkozi zikibi zifise intumbero yo gutembagaza inzego zitorewe n'abenegihugu ;
- basabwe kandi kudomako urutoke no kwitwarira mu butungane abo bose baziko bakwegeye abana babo mu mirwi y'iterabwoba iriko iriha inkumbi ikoresheje ibirwanisho mbere bamwe muri urwo rwaruka bakaba bamaze kuhasiga ubuzima.

f) Ku makungu :

- Gushigikira Reta y'Uburundi mu twigoro two gutsimbataza amahoro n'umutekano hamwe n'ibiganiro bihuza abarundi baba abo mu gihugu hagati canke mu mahanga. Bitayeko, Inama Nkuru ijejwe Umutekano irasavye ibihugu bihaye indaro abategura ubwicanyi mu Burundi ko bafatwa bagashikanwa imbere y'ubutungane nkuko vyasabwe n'amashirahamwe ya ONU n'Ubumwe bw'Afrika

Inama Nkuru ijejwe Umutekano irangije yifuriza Abarundi n'abayamahanga baba mu Burundi imisi Mikuru Myiza ya Noheli n'Ubunani.

NIHAHANGAME AMAHORO N'UMUTEKANO MU GIHUGU CACU

IMANA MUSHOBORAVYOSE IKINGIRE UBURUNDI N'ABARUNDI

MURAKOZE.